# Ibibazo n'inyishu kubijanye no kwemera ibintazi

Ikibazo: Hoba hriho umuti uvura Sida?
Inysishu: Oya. Hari imiti yo gupfupfahaza gusa; Sida ntigira umuti kandi nta n'urucanco ifise.

Ikibazo: Umurwayi wa Sida aranguranye amabanga mpuzabitsina n'umuntu w'isugi ngo aca akira?
Inyishu: Oya. Hagukira mbere ahubwo aca yanduza n'uwo muntu yari akiri isugi.

Ikibazo: Uwegereye abagendana umugera wa Sida aca awandura?
Inyishu: Oya. Umuntu ashobora kwandura biciye munzira zitatu zonyene: mumibonano mpuzabitsina, muguhanahana amaraso, be no mugihe umuvyeyi yanduza ikibondo ciwe. Kwegera canke kugendana n'abagendana umugera wa sida mudakoranye ibi tuvuze, ntibituma umuntu yandura. Gusangira ibifungurwa canke impuzu, kuramukanya n'abagendana umugera wa sida, ntibituma umuntu yandura na gatoya.

Ikibazo: Mbega umuntu agendana umugera wa Sida arashobora kwibaruka umwana?
Inyishu: Egome. Abavyeyi bagendana umugera wa Sida barashobora kurondera imiti ifasha gukingira Sida umwana bazokwibaruka. Aha umuntu abwirizwa kuvyitwararika gose, ikintu nyamukuru yokwitwararika gusumba, ni ukwipimisha ukamenya ko wanduye canke ukomeye.

Ikibazo: Mbega nipimishije ngasanga naranduye, vyogenda gute?
Inyishu: Icambere womenya nuko bagupimye bagasanga waranduye bidasigura ko ugira upfe vuba na bwango. Abantu benshi baramara imyaka myishi bafise amagara meza. Nivyiza rero kwipimisha kuko usanze waranduye uca ukingira abandi nacanecane umuryango wawe. Imiti yo gupfupfahaza nayo nyene irafasha cane umugwayi wa Sida kuramba; hari benshi bamaze igihe kirekire kubera iyo miti.

Ikibazo: Iyo abantu babiri bagendana umugera wa Sida baranguranye imibonano mpuzabitsina, hari ingora bitera?

Inyishu: Egome birazitera. Murazi yuko umugera wa Sida uhindagurika, rero imigera idasa irashobora guca iva muri umwe ikaja muwundi, bigatuma imigera

igwirirana mumubiri, kandi muri ico gihe, no gupfupfahaza bica bigorana kuko iyo migera itaba ikigondwa n'iyo miti.

Ikibazo: Jewe ko nubatse, nta Sida yomfata.
Inyishu: Ivyo sivyo. Umwe mui mwebwe, wewe canke uwo mwubakanye arashobora kuba yaranduye umugera wa Sida imbere yuko mwubakana canke mbere mumaze kwubakana, biciye muburyo bumwe muri burya muzi umuntu yanduramwo. Kwipimisha nico gihambaye kumuntu uwariwe wese kuko bituma umuntu amenya ingene amagara yiwe canke ya mugenziwe ameze.

Ikibazo: Mbega imibu ntiyoba itera sida? canke gusangira imfungurwa n'umurwayi wa Sida ntivyotuma wandura?
Inyishu: Oya.

Ikibazo: Umugabo arashobora kwanduzwa Sida n'umugore?
Egome. Umugabo arashobora n'umugore biciye mumibonano mpuzabitsina.